Ubona gute mu gihe nosenga amasengesho-bwirizwa, ngapfunga ukwezi kwa Ramadhani, nkubahiriza amabwirizwa y'ibirekuwe nkabikora, nkubahiriza n'amabwirizwa y'ibizira nkavyirinda

Mu vyakiriwe na Se wa Abdu Al-Rahmani Al-Answaariy (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ko hari umugabo yigeze kubaza Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ati: "Ubona gute mu gihe nosenga amasengesho-bwirizwa, ngapfunga ukwezi kwa Ramadhani, nkubahiriza amabwirizwa y'ibirekuwe nkabikora, nkubahiriza n'amabwirizwa y'ibizira nkavyirinda, hanyuma sindenze na kimwe kuri ivyo ndondaguye, mbega nokwinjira mu Bwami bw'ijuru?". Intumwa yishuye iti: "Ego cane!".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) arerekana neza na neza ko uwusenze amasengesho atanu abwirijwe ku musi hanyuma ntihagire isengesho ry'inyongera "nawaafili" arenzako; agapfunga ukwezi kwa Ramadhani hanyuma ntihagire amapfungo y'inyongera yongerako; akemanga izirurwa ry'ibirekuwe maze akabikora, akanemanga iziririzwa ry'ibizira maze akirinda kubikora, azoheza akinjira mu Bwami bw'ijuru.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66525